Ibibazo n'inyishu kubijanye n'ingene umuvyeyi ashobora kwanduza ikibodo

Ikibazo: Mbega iyo tuvuzeko umuvyeyi ashobora kwanduza ikibondo, mutahura iki?
Inyishu: Iyo tuvuze ko umuvyeyi ashobora kwanduza ikibondo bisigura ko iyo umuvyeyi agendana umugera wa sida yibungenze agira impanuka zo kwanduza umwana yibungenze. Abahinga bagereranya ko izo mpanuka zo kwanduza ikibondo zigera kubice bishika 30 kwijana. Ibiringo umwana ashobora kwanduriramwo ni vyinshi: umwana ashobora kwandura igihe nyina amwibungenze, canke mukuvuka, canke ariko aramwonsa. Bagereranya ko abana bashika 65% aribo bandura haba imbere canke inyuma yo kuvuka.

Ikibazo: None umuvyeyi yogira gute kugirango akingire ikibondo ciwe?
Inyishu: Hari uburyo bukurubukuru bune bwo gukinga ngo umuvyeyi ntiyanduze ikibondo. Ubwambere, habwirizwa kuba akigoro kanini ko gukingira abigeme n'abapfasoni kugirango ntibandure umugera wa Sida. Ubwakabiri, umuntu yokoresha uburyo bwo kurondoka kurugero kugirango yirinde gusama inda atifuza; ngaha gukoresha agakingirizo birafasha gose, narirya ariko konyene kabikinga ari bibiri icarimwe: karafasha kurondoka kurugero kagakinga n'umugera wa Sida. Ubugira gatatu, abkenyezi bibungenze bokwipimisha kugira bamenye ingene ubuzima bwabo bumeze. Ubwanyuma, abakenyezi bibungenze bagendana umugera wa Sida bokoresha uburyo bwo gukingira ikibondo bibungenze busanzwe buhari kugira ntibanduze ico kibondo; aha mwomenyako uburyo buhari budakingira ijana kwijana. Ariko, umuntu abukoresheje neza nkuko muganga yabimuhanuye, burakinga cane.

Ikibazo: Hari ubushakashatsi buriko burakorwa kubijanye n'ivyo?
Inyishu: Egome. Icigwa cagizwe kumuti bita AZT mumpfunyapfunyo bawukoresheje kumuvyeyi imbere yuko yibaruka be no kumwana amaze kuvuka, vyerekanye ko impanuka zo kwandura zigabanuka gushika kubice 60 kw'ijana. Ivyirwa vyakozwe mubihugu vya Côte d'Ivoire, Uganda na Burkina Faso vyerekanye ko impanuka zagabanutse kubice biri hagati ya 37 na 47 kw'ijana.

Ikibazo: Mbega nibungenze hanyuma bakampima ko nanduye umugera wa sida nobikika gute?
Inyishu: Hariho imiti ifasha kugabanya impanuka zo kwanduza ikibondo mugihe umuvyeyi yibungenze canke ariko aribaruka. Abaganga bahanura kandi ko

umuvyeyi agendana umugera wa sida yokwonsa ikibondo ciwe amezi atandatu yambere gusa hanyuma agaca atangura kumugaburira ukundi kugirango amurinde impanuka zo kumwanduza umugera wa Sida mukumwonsa. Umuti witwa "nivirapine" ukoreshejwe nkuko muganga yabitegetse, urashobora kugabanya impanuka zo kwanduza ikibondo gushika kubuce 50 kw'ijana, ibi bigatanga ivyizigiro vyinshi kubantu bugarijwe n'ubukene be no kubihugu bikenye kuko uwo muti uzimbutse ugereranije n'iyindi miti.

Ikibazo: None ubwo ivyo vyuko umuvyeyi ashobora kwanduza ikibondo ni ikibazo giteye ubwoba?
Inyishu: Ni ikibazo gikomeye koko. Ariko, ikidutera umwizero nuko bishoboka gukinga. Mmwaka wa 2005, ishirahamwe mpuz'amakungu rirwanya Sida (ONUSIDA) ryagereranyako abana bagera kubihumbi amajana indwi (700 000) batarashikana imyaka 15 bagendana umugera wa sida. Benshi muri abo bana banduye umugera wa Sida bandujwe n'abavyeyi babo. Abenshi muribo kandi tubasanga mubihugu bikiri munzira y'amajambere.